**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA NSHIKIRANGANJI N°25 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 08 NYAKANGA 2021

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 08 Nyakanaga 2021, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye kw'igenekerezo rya 03 Nyakanga 2021, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Urwandiko rujanye n'ivyosubirwamwo mu gisata co gukinga no gutegekaniriza kazoza abakozi,** rwashikirijwe n'Ibiro vy'Umushikiranganji wa Mbere

Mw'ijambo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yashikirije kw'igenekerezo rya 18 Ruheshi 2020 yinjiye mu mabanga yo kurongora igihugu, harimwo icipfuzo c'uko abakukuruke boza bararonswa agahamba gasa nk'akangana n'umushahara bari bagezeko.

Ni mu ntumbero yo gushira mu ngiro ico cipfuzo haciye hagenwa umugwi wihweza ingene vyokorwa.

Uru rwandiko rurimwo ivyo uwo mugwi ushikiriza navyo bikuru bikuru bikaba ari ibi bikurikira:

- Umwaka w'ifatiro woba 2020 ;
- Uwo mugambi wotangura muri ONPR ku bakukuruke bose bahembwa na Reta, muri INSS naho ku bakozi ba Reta bafise kontara. ONPR irafise uburyo bukwiye ariko INSS yobishobora mu gihe gito cane;

- Birakwiye ko ingingo zimwe zimwe zo mu gitabu c'amategeko agenga gukingira no gutegekaniriza kazoza abakozi zisubirwamwo kugirango uwu mugambi ushoboke;
- Ku bakurukurutse imbere y'umwaka w'2020, hashikirijwe inzira zitatu : Kwongereza udufaranga baronswa ku bice 30%, 40% canke 50% ivyo navyo bikaba bisaba uburyo Reta izotegerezwa gutanga ;
- Itegeko ry'abashikiranganji bajejwe ikigega ca Reta, gukingira no gutegekaniriza kazoza abakozi, n'uwujejwe abakozi ba Reta niryo ryotomora neza ingene uwu mugambi woja mu ngiro.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza ibiri muri uru rwandiko, yashikirije ivyiyumviro n'ingingo bikurikira :

- Ubushikiranganji bujejwe abakozi ba Reta bwoshikiriza ibitigiri vy'abazokukuruka muri iyi myaka cumi igiye kuza kugirango bikorerweko mu guharura uburyo buzokenerwa;
- Ni ukwerekana ico amashirahamwe INSS na ONPR yotanga n'ico Reta yotanga mw'ishirwa mu ngiro ry'uwu mugambi haharuwemwo n'abakukurutse imbere y'umwaka w'2020;
- Ubushikiranganji bujejwe ikigega ca Reta bwoharura bukaraba muri zirya nzira zitatu zishikirijwe, ni ukuvuga kwongera 30%, 40% canke 50% abakukurutse imbere y'umwaka w'2020, iyo Reta yofata;
- Uko vyogenda kwose, nta mukuruke yoronka amahera ari munsi y'ibihumbi mirongo itatu (30.000) ;
- Ku bisata bikukira Reta n'ivy'abikorera ivyabo, uyu mugambi uzoshoboka habanje gutandukanywa ico igisata kimwe kimwe cinjiza muri INSS ;
- Ingingo zo mu gitabu c'amategeko agenga gukingira no gutegekaniriza kazoza abenegihugu zerekeye agahamba gahabwa abakukuruke zosubirwamwo ;
- Amategeko agenga Ibigo INSS na ONPR yosubirwamwo kuko atajanye n'intumbero y'uwu mugambi ;
- Uburyo bwo guharura amahera umukozi atanga muri INSS canke ONPR bwoba bumwe;
- Uwu mugambi wotangura mu Kigo ONPR ku bakukuruke bose werekeye, hanyuma muri INSS naho ugatangura ku bafise ama kontara bahembwa na Reta ;
- Hoshingwa ikigega kizoshigikira uwu mugambi kugirango urame;
- Ni ukwerekana urukwikirane rw'ingene uwu mugambi uzoshirwa mu ngiro ;
- Uyu mugambi wofasha abantu kugirango bakukuruke kare (retraite anticipée) ;
- Uwukukurutse kare ntazoronswa amahera abakukuruke bazohabwa mu gihe aciye aja mu kandi kazi ahemberwa;

- Ubushikiranganji bubijejwe bwokwiga neza uburyo Ikigo INSS kironka ingene bukoreshwa be n'ubutunzi bwaco, bukagira ico bushikirije Reta.

Ku bijanye n'ingene ayo mahera abakukuruke bazoronswa azoharurwa, Reta izofata ingingo ya nyuma inzira zose n'ibiharuro vyose bimaze kwihwezwa neza.

2. **Integuro y'ibwirizwa risubiramwo ingingo zimwe zimwe z'igitabu c'amategeko agenga ugukingira no gutegekaniriza kazoza abakozi,** yashikirijwe n'Ibiro vy'Umushikiranganji wa Mbere.

Kimwe mu vyo gukingira no gutegekariza kazoza abakozi gifashamwo ni agahamba karonswa abakukuruke, abamugariye ku kazi, be n'utwo abasigwa babo baronka iyi bakwije ibisabwa n'amategeko.

Ariko, uko imyaka ihera, niko bigaragara ko udufaranga umukukuruke aronka ari intica ntikize.

Nico gituma Reta yagize iciyumviro co kuraba ingene utwo dufaranga twoduzwa ku bakozi bayo bakukurutse, mu nyuma ikazokwiga ingene no ku bakozi bo mu bisata vyegukira Reta no mu bikorera utwabo vyokorwa. Intumbero ni uko umukukuruke yoronswa amahera yababa umushahara yari agezeko.

Iyi nteguro ije gusubiramwo ingingo zimwe zimwe z'igitabu c'amategeko agenga ugukingira no gutegekaniriza kazoza abakozi zerekeye ibijanye n'agahamba k'abakukuruke (75,82, 83, et 84) kugirango ico cipfuzo ca Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu kije mu ngiro.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje, mu vyo yasavye hakaba harimwo ibi bikurikira:

- Gucisha iyi nteguro mu gisata kijejwe guhinyanyura amategeko kugirango kiyitosore neza yongere yandikwe mu rurimi rw'Ikirundi ;
- Kwandika mu buryo butahurika neza Igitabu c'amategeko agenga gukingira no gutegekaniriza kazoza abanegihugu na nyaburya kiriko kirasubirwamwo, kugirango ibirimwo bitahurwe kumwe na bose ;
- Gushira muri ico gitabu izi ngingo zizoba zasubiwemwo kugirango hazobe igitabu c'amategeko agenga gukingira no gutegekaniriza kazoza abakozi kimwe rudende.

3. **Indinganizo y'ibizorangurwa mu bushikiranganji bw'amagara y'abantu no kurwanya Sida, n'ingene iryo rangurwa ryavyo rizokurikiranwa** yashikirijwe n'umushikiranganji w'amagara y'abantu no kurwanya Sida.

Iyi ndinganizo itanga intumbero y'ingene ibikorwa bizorangurwa mu gushira mu ngiro imigambi mikuru mikuru mu bijanye n'amagara y'abantu mu Burundi.

Iyi ndinganizo yateguwe kugirango umugambi w'igihugu ugira gatatu wo guteza imbere amagara y'abantu woheze mu mwaka w' 2023 ubandanye gushika mu mwaka w'2027, gurtyo bifashe no gushira mu ngiro umugambi w'igihugu w'iterambere wahereye mu mwaka w'2018 ukazoshika mu mwaka w'2027.

Iyi ndinganizo irisunga kandi ivyo Reta yiyemeje ku rwego mpuzamakungu mu bijanye n'amagara y'abantu.

Iyi ndinganizo ifise ihangiro ryo gufasha kugabanura ibitigiri vy'abantu bapfa, abamugara, mu kuvura neza abantu.

Ihagaze ku nkingi nkuru nkuru cumi na zibiri zikurikira:

1° Kuvura neza abana bakivuka, abana bato bato, imiyabaga n'abageze mu za bukuru, no kwigisha gufungura neza ;
2° Kurwanya ingwara zandukira n'izitandukira be n'iziva ku gufungura nabi ;
3° Kugwiza umwimbu mu kazi no gukurikirana neza abakozi ;
4° Kugwiza ivya nkenerwa vyo kwa muganga;
5° Kugwiza inyubakwa n'ibikoresho vyo kwa muganga ;
6° Gutunganya neza ihanahanwa ry'amakuru n'ubushakashatsi mu bijanye n'amagara y'abantu ;
7° Gutunganya neza ibijanye no kurondera uburyo bukoreshwa mu gisata c'amagara y'abantu
8° Gukomeza intwaro ibereye n'uburongozi nyabwo mu gisata c'amagara y'abantu ;
9° Guteza imbere amagara y'abantu hishimikijwe abaremeshakiyago;
10° Gukomeza ugukorera hamwe kw'ibisata binyuranye mu ntumbero yo guteza imbere amagara y'abantu ;
11° Gukurikirana neza ingwara zije giturumbuka canke izivuye ku vyaduka kama;
12° Gukurikiranira hafi ikibazo c'igwiririrana ry'abantu kugirango ubwinshi bwabo bube umutahe aho kuba ikibazo.

Ku vyerekeye ikurikiranwa ry' irangurwa ryayo, iyi ndinganizo :

- Irerekana inzego n'ibisata bizoshira mu ngiro iyi ndinganizo ;
- Irerekana ibizofatirwako mu gusuzuma intambwe zigezweko ku rwego rwose mw'ishirwa mu ngiro ry'iyi ndinganizo ;
- Irerekana ingene ibiharuro mu gisata c'amagara y'abantu vyegeranywa n'ingene bisuzumwa ;

- Irerekana ingene isuzumwa ry'ishirwa mu ngiro ry'iyi ndinganizo rizogenda igeze hagati canke mu mpera zayo ;
- Irerekana ingene ibiharuro vyatororokanijwe mw'isuzumwa ry'iyi ndinganizo bimenyekanishwa n'ingene bikoreshwa .

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyi ndinganizo, yarayemeje ica isaba ibi bikurikira :
- Kwerekana intunganyabikorwa y'iyi ndinganizo mu kwerekana uburyo busabwa Reta n'ubusabwa abasanzwe bafashanya na Reta ;
- Gukosora ibiharuro biri muri iyi ndinganizo mugushiramwo ivya vuba ;
- Kwandika neza ingene ubushikiranganji bwubatse (organigramme);
- Kwerekana igitigiri c'amavuriro azokwubakwa n'abakozi bazokenerwa mu kiringo iyi ndinganizo izomara ;
- Gutegekanya kwubaka ihinguriro ry'imiti ;
- Gutegura urupapuro rw'inzira rwerekana ishirwa mu ngiro rw'iyi ndinganizo ;
- Gutegura imigambi n'uburyo isaba kugirango bishikirizwe abafashanya n'Uburundi.

4. **Integuro y'ibwirizwa risubiramwo igitabu c'amategeko agenga ubutare mu Burundi,** yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka.

Igisata c'ubutare kigengwa n'ibwirizwa n°1/21 ryo ku wa 15 Gitugutu 2013.

Iryo bwirizwa ryaratumye ico gisata gitera imbere haba mu vyerekeye ubushakashatsi, canke icukurwa ry'ubutare.

Ariko biribonekeza ko ayo mategeko atakijanye n'ingene ico gisata kiguma gitera imbere, n'intumbero za Reta, aha twovuga nk'umugambi w'igihugu w'iterambere, politike y'igihugu mu vyu'ubutare yagiyeho mu mwaka w'2020, be n'intumbero mpuzamakungu mu vyerekeye ubutare

Ikindi naco ni uko naho hari ivyashitsweko bitari bike, akarusho ku butunzi bw'igihugu kagumye ari gato.

Birakenewe rero ko ayo mategeko asubirwamwo, kugirango utunenge turimwo dukosorwe, ico gisata kibandanye gihurumbirwa, Reta, abanyamitahe n'abenegihugu bahabonere akunguko.

Isubirwamwo ry'ayo metegeko ntiryokorwa hatisunzwe ukugene aha muri aka kerere canke muri Afrika muri rusangi bigenda. Nico gituma iyi nteguro yisunze amategeko agenga igisata c'ubutare mu bihugu bimwe bimwe vyo muri Afrika.

Mu gihe inama nshikiranganji yariko ica hirya no hino iyo nteguro, bimwe bimwe mu vyashikirijwe ni ibi bikurikira :

- Iri bwirizwa ryotomora neza ko ubutare ari itunga kama ry'igihugu;
- Umuntu arekuriwe kurima itongo mugabo ibiri mu kuzimu ni ivy'igihugu;
- Ni ukwerekana neza ivyo ishirahamwe riba rikwije kugirango rironswe uburenganzira bwo kugira ubushakashatsi mu butare canke ku bucukura ;
- Reta y'Uburundi itegerezwa kugira ijisho mu vy'ubutare kuva hagikorwa ubushakashatsi gushika mw'icukurwa ryabwo ;
- Impembo y'uwucukura ubutare yokwumvikanwako habanje guharurwa neza agaciro k'ubwo butare, ico bwinjije n'umutahe nyene kubwimba yashizemwo;
- Reta itegerezwa kugumana ububasha bwo gutanga igice c'ubutare kikaba arico gicukurwa conyene;
- Harakwiye kwubakwa ihinguriro ry'ubutare gurtyo Reta ikaba izi neza igishowe ingene kingana;
- Harakwiye gushirwaho igisata gisuzuma kikongera kigakurikirana iivy'ubutare ;
- Uwucukura ubutare yobanza gutanga ingwati y'amafaranga ikaba iri mw'ibanki nkuru y'igihugu ;
- Iyi nteguro yokwerekana ibijanye n'umuzibukiro n'ingene abimuwe ahacukurwa ubutare baronswa ayandi matongo, n'ibijanye n'inyubakwa rusangi mu karere gacukurwamwo ubutare ;
- Ku bijanye n'ibihano, hejuru ya amande uwagize amakosa ariha iyo Reta hari ico yahahombeye, arakwiye kuriha n'ivyo Reta yahahombeye;
- Ubushikiranganji bujejwe ikigega ca Reta burakwiye kuza burategekanya uburyo bwokoreshwa mu bijanye n'ubushakashatsi mu butare ;
- Hoshirwaho isuzumiro ry'ubutare rigezweho kugirango Reta imenye neza ubutare ifise, ingene bungana n'agaciro kabwo ;
- Iyi nteguro yokworekana ikizokorwa ku mashirahamwe yahagarikiwe ibikorwa**;**
- Ku mashirahamwe yahawe impusha zo gucukura ubutare, hakaba hari igice c'akarere yahawe bikagaragara ko ata butare burimwo, iyi nteguro yovuga ico ico gice cokoreshwa**.**

Abashikiranganji bajejwe Ubutare, ikigega ca Reta, ubutungane inyubakwa za Reta basabwe kuzohinyanyura neza iyi nteguro bafatiye ku vyashikirijwe ikazoheza ikagarukanwa mu nama nshikiranganji.

5. **Integuro y'amasezerano y'umwumvikano hagati ya Reta y'Uburundi na na Reta ya Tanzaniya mu gufashanya mu gisata c'ubutare,** yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka.

Mu mwaka w'2006, i Dar-Es Salaam mu gihugu ca Tanzaniya, harakoraniye inama y'umugwi wamaho w'abahinga b'ibihugu vya Tanzaniya n'Uburundi, barihweza ibisata ivyo bihugu vyofashamwo, muri vyo hakaba harimwo igisata c'ubutare.

Muri Nyakanga 2020, Nyenicubahiro Umukuru w'Iguhugu c'Uburundi yaragendeye igihugu ca Tanzaniya, mu mubonano bagiranye na mugenziwe w'Iguhugu ca Tanzaniya bakaba baravuganye ibijanye no gukomeza ubucuti busanzwe buri hagati y'ivyo bihugu bibiri, bakaba barashimikiye k'ugukomeza imigenderanire mu vy'ubutunzi.
Ni muri iyo ntumbero abahinga b'ivyo bihugu bibiri bakoranye muri Ruhuhuma 2021, kugirango barabe ingene ivyo vyipfuzo vy'abo bakuru b'ibihugu vyoja mu ngiro.

Mu nama igira gatandatu y'umurwi wamaho w'abahinga b'ibihugu vya Tanzaniya n'Uburundi yabereye i Kigoma muri Tanzaniya muri Ntwarante 2021, niho hasabwa ko hotegurwa amasezerano y'umwumvikano hagati ya Reta y'Uburundi na Reta ya Tanzaniya mu gufashanya mu gisata c'ubutare.

Iyi nteguro irerekana ihangiro ry'aya masezerano, abajejwe kuyashira mu ngiro be n'ivyo izo mpande zibiri ziyemeje.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyi nteguro, yarayemeje, ica isaba gukurikirana ishirwa mu ngiro ryayo, kugirango impande zose zigire ico ziyungukiyemwo.

6. **Integuro y'ibwirizwa rihindura ibwirizwa n°1/21 ryo ku wa 31 Kigarama 2010 risubiramwo ibwirizwa n°1/15 ryo ku wa 29 Ndamukiza 2006 rigenga intwazangabo mu gisirikare c'Uburundi**
7. **Integuro y'ibwirizwa rihindura ibwirizwa n°1/20 ryo ku wa 31 Kigarama 2010 risubiramwo ibwirizwa n°1/16 ryo ku wa 29 Ndamukiza 2006 rigenga ibisongerezi vy'intwazangabo mu gisirikare c'Uburundi**

8. **Integuro y'ibwirizwa rihindura ibwirizwa n°1/19 ryo ku wa 31 Kigarama 2010 risubiramwo ibwirizwa n°1/17 ryo ku wa 29 Ndamukiza 2006 rigenga abasirikare batoya**

Izo nteguro uko ari zitatu zashikirijwe n'umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba.

Urwego rwo kwivuna abansi rugengwa n'ibwirizwa n° 1/04 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017 rishinga imirimo y'urwego rwo kwivuna abansi, ingene rutunganijwe , abarugize, ingene rukora n'ibisabwa mu kurwinjiramwo.

Muri iki gihe, amategeko agenga intwazangabo, ibisongerezi, n'abasirikare batoya ashingwa n'amabwirizwa yo muri Kigarama 2010.

Birakenewe rero ko ayo mategeko yisunga iryo bwirizwa ryo mu 2017.

Izi nteguro z'amabwirizwa zije rero kwisunga iryo bwirizwa ryo mu 2017, zikaba kandi zishiramwo ibitari bike bishasha bituma umusirikare ashobora gukora yisunze ibihe tugezemwo, haba mu bijanye n'imibano, ubutunzi, n'ibindi.

Izi nteguro zirashiramwo bishasha ku bijanye n'ivyo abasirikare bafitiye uburenganzira, ivyo bategerejwe n'ibitabangikanywa n'amabanga yabo, ivyerekeye uturusho dufatiye ku ngorane zijanye n'akazi kabo, uburambe mu kazi, ugufata mu mugongo umuryango w'umusirikare yitavye Imana akiri mu kazi, no gushigikira umusirikare akukurutse kugirango amenyere ubuzima bushasha yinjiyemwo.

Hari n'ibindi bishasha biri muri izi nteguro bifatiye ku dushirukabute n'uturusho tujanye n'ivy'akazi be n'ivy'imibano, mu ntumbero yo gutera intege abasirikare kubera akazi bajejwe katoroshe, n'impanuka bashobora kugira mu mirimo yabo.

Hari n'ibindi bishasha bijanye n'ingene akazi gatunganywa mu gisirikare, n'ivyerekeye inyifato mu kazi.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino izo nteguro, yarazemeje.

9. **Integuro y'itegeko rihindura itegeko n°100/053 ryo ku 11 Rusama 2018 rishinga umunsi wahariwe gushigikirana mu kibano,** yashikirijwe n'umushikiranganji wo gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira.

Itegeko n°100/053 ryo ku wa 11 Rusama 2018 ryarashinze umunsi wahariwe gushigikirana mu kibano, ukaba uhimbazwa mu gihugu cose ku wa gatandatu wa nyuma w'ukwezi kwa Mukakaro.
Uwo munsi washizweho mu ntumbero yo gutsimbataza umuco wo gushigikirana no gufatana mu nda wamye uranga Abarundi**.**

Mw'ijambo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yashikirije ariko arugurura inama ya bose igira gatandatu y'umugwi w'igihugu ujeje gukingira no gutegekaniriza kazoza abakozi muri Kigarama 2020, yaripfuje ko uwo munsi wohimbazwa buca hahimbazwa umunsi wahariwe ikomine canke bukeye bw'aho,nawo ukaba uhimbazwa uwa gatandatau wa mbere w'ukwezi kwa Myandagaro.

Ivyo bishoboka rero ari uko munsi wahariwe gushigikirana mu kibano uhimbajwe ku munsi wa gatanu wa mbere w'ukwezi kwa Myandagaro canke umunsi w'Imana wa mbere w'uko kwezi nyene.

Mu ntumbero yo gushira mu ngiro ico cipfuzo c'Umukuru w'Igihugu, iyi nteguro itegekanya ko umunsi mukuru wo gushigikirana mu kibano wohimbazwa ku munsi wa gatanu utangura ukwezi kwa Myandagaro buca hahimbazwa umunsi mukuru wahariwe Komine.
Iyi nteguro irashiraho kandi umurwi w'igihugu ujejwe gutunganya no gukurikirana itunganywa ry'uwo munsi mukuru.

Inyuma yo guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, inama nshikiranganji yarayemeje bimwe muvyo yashikirije bikaba ari ibi bikurikira:

- Gushira muri uwu mugwi w'igihugu uwuserukira ubushikiranganji bwo kumenyesha amakuru ;
- Kwerekana abagize umurwi ujejwe gutunganya no gukurikirana uwo munsi mukuru ku rwego rwa Komine ;
- Kutandika ko imfashanyo z'ivyononekara ningonga bitangwa aho vyegeranirijwe gusa kuko birashobora kuba vyinsi bigatangwa n'ahandi.

10. **Urwandiko rujanye n'ingingo zihuta zofatwa mu gukinga kugirango akarere kadasanzwe k'ubudandaji ka Warubondo gakore neza, n'ingene ivyasabwe n'igisata kijejwe gufasha mw'ishirwa mu ngiro ry'amasezerano hagati ya Reta n'abikorera ivyabo (ARCP),** rwashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe gutwara abantu n'ibintu, ubudandanji, amahinguriro n'ingenzi.

Akarere kadasanzwe k'ubudandaji ka Warubondo kashinzwe n'itegeko n°100/23 ryo ku wa 16 Ruhuhuma 2017, ihangiro rikaba ryari kuraba ingene igisata c'amahinguriro cotera imbere mu gihugu, ubutunzi bukisununura.

Amasezerano y'ingene ako karere kadasanzwe k'ubudandaji ka Warubondo kokoreshwa yarashizweko umukono na Reta y'Uburundi n'ishirahamwe ProcCerv kw'igenekerezo rya 16 Rusama 2018.

Muri iki gihe ako karere ntikaratunganywa, nta n'inyubakwa ihari kiretse agasoko gatoyi kari kuri hegitari zitatu, kandi ako karere gapima hegitari amajana atandatu.

Ariko ayo masezerano ategekanya ko iryo shirahamwe ryari kuba ryatanguye ibikorwa mu kiringo kitarenza amezi atatu ayo masezerano ashizweko umukono.

Kubera izo mvo, Ubushikiranganji bujejwe ubudandaji bwararungikiye urwandiko ishirahamwe ProCerv rwo kurigabisha, buranariha ikiringo kingana ukwezi kugirango rishire mu ngiro ivyo ryiyemeje. Ariko amezi agera kuri ane araheze ataco iryo shirahamwe rirakora kigaragaza ko rifise ishaka ryo gushira mu ngiro ivyo ryiyemeje.

Uru rwandiko rero rurashikiriza ingingo zofatwa mu gukinga kugirango akarere kadasanzwe k'ubudandaji ka Warubondo gakore neza, n'ingene ivyasabwe n'igisata kijejwe gufasha mw'ishirwa mu ngiro ry'amasezerano hagati ya Reta n'abikorera ivyabo (ARCP mu rurimi rw'igifaransa).

Inama nshikiranganji yihweje ivyo urwo rwandiko rushikiriza yasavye ibikurikira**:**

- Ubushikiranganji bujejwe ubudandaji ni buhagarike amasezerano ari hagati ya Reta y'Uburundi n'ishirahamwe ProCerv kuko ritubahirije ibiri mu masezerano. Ubushikiranganji bujejwe ubutungane buzoterera muri ico gikorwa ;
- Nyene kwubaka isoko aho i Warubondo azogiranira amasezerano mashasha n'uwundi azoba yaharonkejwe;
- Kumenyesha igisata kijejwe gufasha mw'ishirwa mu ngiro ry'amasezerano hagati ya Reta n'abikorera ivyabo (ARCP) ko ivyo cashikirije bifise amahinyu;
- Gutegura amategeko agenga uturere tudasanzwe tw'ubudandaji ;
- Ubushikiranganji bujejwe inyubakwa bwotunganya neza akarere ka Warubondo;
- Ubushikiranganji bw'ubudandaji, bufatanije n'ubujejwe inyubakwa n'ubujejwe amazi bwotegura neza ico kibanza ca Warubondo mu kwerekana ishusho ry'ingene ibikorwa bitandukanye bizoharangurirwa

## 11.Utuntu n'utundi

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yaribukije abashikiranganji gukurikirana neza abakozi babo kuko bimaze kwibonekeza ko hari vyinshi babakorera nabi n'impaka, canke amadosiye amw'amwe y'inkoramutima bakayanyegeza.

Yaragarutse ku gikorwa co kurwanya ikiza koronavirusi aho vyibonekeza ko mu bisagara, cane cane abantu bitwa ko bateye imbere bafata minenerwe ico kiza, mu kutubahiriza ingingo zo kukirwanya.

Yasavye ubushikiranganji bwose ko bwohimiriza abakozi babwo kwikingira ico kiza no kwipimisha kenshi, barwaye bakivuza kuko ni ingwara ikira kandi

idateye isoni. Ihangiro ni uko mu kiringo c'ukwezi ibitigiri vy'abandura vyoba vyagabanutse cane.

Biribonekeza ko kimwe mu bituma ikiza koronavirusi kigwirirana ari imanza z'urutavanako . Nico gituma inama nshikiranganji yasavye ko imanza zoza ziraba ku wa gatandatu no ku musi w'Imana gusa.

Bujumbura , 09 Nyakanga 2021

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE